Urugomero rwanje ruzoba rureha n'uburebure bw'urugendo rw'ukwezi kuzima; amazi yarwo azoba yera de gusumba amata; akamoto kayo na ko, kazoba ari keza cane gusumba amavuta amoga neza ya miski

Mu vyakiriwe na Abdullaahi mwene Amri (Imana Allah Ibishimire bompi) yavuze ko Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze ati: "Urugomero rwanje ruzoba rureha n'uburebure bw'urugendo rw'ukwezi kuzima; amazi yarwo azoba yera de gusumba amata; akamoto kayo na ko, kazoba ari keza cane gusumba amavuta amoga neza ya miski; ibikombe azokwiherezamwo; ku bwinshi bwavyo bizoba ari nka kurya kw'inyenyeri zikwiragiye mu kirere, uwuyanyoyeko ntazopfa asubiriye kunyoterwa ibihe bidashira".

[صحيح] [متفق عليه]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yariganye ko azohabwa urugomero ku musi w'izuka, uburebure bwarwo bureha n'uburebure bw'urugendo rw'ukwezi kuzima, ubwaguke bwarwo na bwo bureha nk'uko nyene; n'uko amazi yarwo yera de gusumba amata; n'uko akamoto ka nya mazi, ari keza cane gusumba akamoto k'amavuta amoga ya "miski"; n'uko amabirika (ibikoresho) yo kuyiherezamwo mu bwinshi bwayo, ari nka kurya kw'inyenyeri zikwiragiye mu kirere; uwunyoye ku mazi y'urwo rugomero, akoresheje ayo mabirika yiherezwamwo, ntazopfa asubiriye kunyoterwa namba ibihe bidashira.

http://www.sunnah.global/hadeeth/rn/show/65030